# Programme Paix Au-Delà des Frontières
# Théâtre Interactif*

## Agakino ka 1 : Kwitwaza ivyiyumviro vya poritike bitandukanye kugira bashike ku nyungu za bamwe[1]

**ABARIMWO**

1. NCUTI : imboneza mu kibano, aracari muto
2. MUTWARE: umutware, umunega wa Marianne na se wa Ndaine
3. PASCAL : Umunyeporitike
4. BUHIRI : Umuyabaga wo mu kibano akaba umugenzi wa Ncuti na Karerea
5. KARERA : Umuyabaga wo mu kibano akaba umugenzi wa Buhiri na Ncuti
6. NADINE: Umuyabaga wo mu kibano, umukobwa wa Marianne na Mutware
7. MARIANNE: Umuvyeyi wo mu kibano, umutambukanyi wa Mutware akaba na nyina wa Nadine

### Agapande ka mbere : MARIANNE, NCUTI na BUHIRI

Marianne yaburaniwe ariko yibaza aho akura ibitutu vyo kuvura umwana wiwe, aca ahura na Buhiri, umubanyi wiwe, nawe ace amuhanura kuja ku mupfumu. Ncuti aca ashika uwo mwanya nyene.

Yumvise ivyayivyo, aca asigurira Marianne ko ategerezwa kujana umwana wiwe kwa muganga. Buhiri nawe aca asaba impanuro zerekeye uburyo bwo kugwanya inkukura.

Ncuti aca abandanya aja mu nama y'ivy'ubworozi bwa kijambere. Marianne na Buhiri basigara baravugana ingene Ncuti ari incabwenge, ingene yitayeho ivyerekeye iterambere ryo mu kibano n'ingene yoba umurongozi mwiza w'agacimbiri kabo.

***Ubutumwa bw'aka gapande : urwaruka narwo nyene rurafise ubumenyi n'ubushobozi vyoshobora kugirira akamaro mu kibano***

### Agapande ka kabiri : MUTWARE, NADINE, MARIANNE na NCUTI

Mutware, arongoye agacimbiri, be n'umukobwa wiwe Nadine n'umutambukanyi wiwe Marianne bariko baraganira ku kungene Ncuti aciye ubwenge n'ingene ashaka kwitoza ngo arongore agacimbiri. Bose baremeza ko Ncuti ari umusore w'ijunja n'ijambo. Intambamyi Mutware avuga ihari ni uko Ncuti akiri muto cane kandi ko imigenzo itabimurekurira ; akarorero ni ukubera vyomugora gufasha gutunganya amatati yo mu ngo. Marianne na Nadine baragerageza gato kuvugira Ncuti muga Mutware agaca abibutsa ko umupfasoni nya mupfasoni yarezwe neza atavuguruza umugabo.

Ncuti aca ashika aje kubaza igituma atisanze ku rutonde rw'abitoza. Mutware aca amubwira ko adashobora kwitoza mu matora y'uwurongoye agacimbiri. Ncuti ntatahura, ntanumwe amusugurira igituma, nawe aca ashavura. Aca agerageza gusigura ko ari nkenerwa guha ikibanza urwaruka

[1] Kwitwaza ivyiyumviro vya poritike bitandukanye kugira bashike ku nyungu za bamwe.

mw'ifatwa ry'ingingo zerekeye ikibano na naririya urwaruka arirwo rugize igice kinini c'abanyagihugu kandi ari rwo batware rw'ejo.

***Ubutumwa bw'aka gapande : ikumirwa ry'urwaruka mu nzego zifata ingingo hamwe n'ukunuma ukuri kwa bamwe canke gutinya gufata ingingo ibereye bitumwe n'imigenzo***

## Agapande ka gatatu : BUHIRI, KARERA na NADINE

Pascal, umunyeporitike, ari mu nama kumwe na Buhiri, Karera na Nadine. Pascal abasigurira igituma abakiri bato bibagora kuronka ubuzi, ngo ni kubera batari mu mugambwe umwe n'umukuru w'agacimbiri. Aca atanga akarorero kuri Ncuti. Ababwira ko amatongo yabo bayagabanije kugira bayahe abahungutse, navyo ko ari akarenganyo. Ko ako karenganyo ariko nkomoko y'ubukene mu kibano. Barageragez kugwanya ivyo vyiyumviro muga baruhira kuvyemera.

Pascal aca abemerera ko azogira uko ashoboye kwose kugira igipolosi n'ubutungane birengagize ivyo bazokora vyose mukwisubiza amatongo yabo kandi ko azobaha n'ibigwanisho. Ariko aravuga, Buhiri, Nadine na Karera batanga uburorero busa n'ivyo Pascal ariko aravuga. Basa n'abanyuzwe. Baca bamusiga ngaho bakagena. Aca abemerera amatungo n'ubutegetsi ni bamufasha kwirukana ivyo bibeba vy'impunzi bisubire iyo vyavuye.

Pascal aca asigara wenyene, yivugana yishima ko afise akagwi k'abakiri bato bazomufasha gushika ku ntumbero yiwe yo guhungabanya akarere kugira ngo azobonwe nk'intwari, uwashoboye kugarukana umutekano.

***Ubutumwa bw'aka gapande : Uguha insiguro itariyo ivyabaye kugira hakoreshwe urwaruka mu guhungabanya amahoro/ gufatira k'ubushomeri, ubushobozi buke bw'urwaruka muvyerekeye gutunganya ubuzima bwabo kugira rukoreshwe***

## Agapande ka kane : BUHIRI, NCUTI, NADINE na KARERA

Ncuti ahura na Nadine, Buhiri na Karera bariko barihuta. Bashaka kumutwara mu mugambi wabo wo kuja kwirukana abahungutse ndetse babishoboye bice n' umukuru w'agacimbiri asanzwe atanumvikana n'umukobwa wiwe Nadine. Bamusigurira ko usanga hari ubukene, inzara n'ingwara ziva ku gufungura nabi ari kubera abahungutse baba mu matongo yabo batabifitiye uburenganzira. Baca bamusubiriramwo amatungo Pascal yabemereye. Ncuti arageragez kubumvisha ko atari vyo, abasigurira ko inyishu y'ibibazo abakiri bato bafise atari gucinyiza abandi, arababwira akamaro ko kugira ubuntu, aratanga n'uturorero tw'inyishu zishoboka, etc.

Nadine anyuzwe aca ahindura agashigikira Ncuti, Buhiri na Karera baguma batwagwa n'agashavu baca basimbira kuri Ncuti, Nadine aca akoma induru atabaza hama agaca yicara hasi akarira, abuze uko agira.

**<<< Umu Joker aca ahagarika ugukino kuri STOP >>>**

***Ubutumwa bw'aka gapande : Urwaruka rushaka inyishu zinyaruka kandi ntaco rutokora kugira ruronke ubutegetsi, bagaca babukoresha ico bashatse***

## Agakino ka 2 : Kwisunga ubwenegihugu kugira inyungu za bamwe bamwe zishigwe imbere[2]

**ABARIMWO**

1. MUCUNGAJI: Umurongozi mw'isengero
2. MUGISHO : Afatwa nk'umunyamahanga, yavuye mu gihugu kibanyi
3. INGA : Umugenzi wa Mugisho afatwa nk'imvukira
4. PASCALINE: Nyina wa INGA
5. MWIZA : Imboneza mu kibano
6. KALEFU : Umuyabaga mu kibano,afawa nk'umunyamahanga ava mu gihugu kibanyi.
7. DENIS: Umuyabaga mu kibano,afawa nk'umunyamahanga ava mu gihugu kibanyi.

### Agapande ka mbere : MUCUNGAJI, INGA

Abakinyi bose baraboneka hano bameze nk'abasohotse ishengero. Bariko barayaga, Inga abaza Mucungaji igituma hari ivyo atavuga ariko arigisha. Amubaza igituma ariko avuga ivy urukundo atigera abitomora kandi azi ingorane ziri mu kibano, ibikomere vyo muri kahise bashaka kuraga urwaruka. Mucungaji aca amubwira ko hari ibintu bitoroshe kuvuga.

Mugisho aca abona Inga agaca aza kumuramutsa n'igishika. Aca abona ingene nyina wa Inga, Pascaline, amuraba, agaca agenda.

***Ubutumwa bw'aka gapande: agacerere k'inzego menyeshamana imbere y'ikoreshwa ry'abakiri bato***

### Agapande ka kabiri : PASCALINE na INGA

Pascaline afitiye umwikomo umuhungu wiwe kuko yubahutse kuvugisha uyo munyamahanga, uwo musuma. Inga aca amwibutsa ko n'aho riko amwita umunyamahanga bamye bazinanye kuva kera. Aca amubwira ko igihe cose umuryango utashobora kuronka ibikwiye, ari umuryango wa Mugisho wamye ubafata mu mugongo. Inga aca avuga ubutore bwa Mugisho, ukugamburuka kwiwe, ukwihangana kwiwe.



Nyina wiwe aca yishura ko ari abo kwa ba Mugisho bazanye ingorane zose ziri mu karere babamwo. Arongerako ko aribo nkomoko y'ingorane zose bafise kandi ko ari bo nkomoko y'urupfu rwa se. Aravuga kandi ko bababuza aho basaganiriza, ko babatwara amatongo n'ibifungurwa kandi bafise iwabo. Aca amugabisha kandi ngo yiyubare, ko Mugisho ata ciza comuvako.

Inga asigura ko umuntu atohirahira ngo afatire muri rusangi abantu bose basangiye urukoba, igihugu, umuryango canke ubwoko, ko hama harimwo babi na beza kandi ko atonemeza ko ari abanyamahanga aravye imyaka bahamaze. Aca ahishuka nyina wiwe ko adatahura urwo rwanko yanka uwo muryango. Asiga nyina wiwe atwawe n'agashavu.

***Ubutumwa bw'aka gapande : Ibikomere vyo muri kahise abavyeyi bashaka kuraga abana babo***

---

[2] Vyokoreshwa kuri Sud Kivu na Nord Kivu.

**Agapande ka gatatu : KALEFU, DENIS, MWIZA na PASCALINE**

Kalefu na Denis bariko batuka Mwiza, imboneza mu kibano bamubwira ko imboneza zo mu kibano ari ba berahino, ko ataco babamariye kubera n'ubundi baguma bafatwa nabi kandi bafatwa nka ba kavamahanga.

Barongera kandi bati ni bagaruka bavuye mu mirwi y'abagwanyi nk'uko bavyemerewe bazoba bahambaye ku buryo bazomwishuza yishure amahano yabateye we n'abandi bose.

Pascaline aca ahaca ubwo nyene agaca abaza ivyo bariko barapfa. Kalefu na Denis baca bamuhindukirira, bace batangura gutata. Mugisho aca aseruka. Aca abaza Kalefu na Denis ibibafashe kugira bubahuke gutatira umukenyezi angana n'uwababyaye. Kalefu na Denis baca bamubwira ko ni yavyisukamwo bahava bibagira ko ari « mwenewabo » Umutware waho aca asaba ko ahubwo boganira ko ahubwo hotunganywa ibiganiro mu kigwati ku vyerekeye ivyo.baKalefu na Denis baca biyumvira ko ataco bacera bagaca basimbira ku mutware. Pascaline aca ahunga, Mugisho nawe asigara aragerageza gutabara.

**<<< Umu Joker aca ahagarika igikino kuri STOP >>>**

***Ubutumwa bw'aka gapande : ivyababaje abantu bitavuwe bihinduka ugukoresha inguvu/ agacerere k'abarongozi imbere y'imibabaro y'imigwi imwe imwe y'abantu***

## Agakino ka 3: Kwitwaza ubwoko kugira hakoreshwe urwaruka[3]

**ABARIMWO**

1. KAMI : Umwigeme wo mu bwoko bwa Banyana
2. MUTONI : Umwigeme wo mu bwoko bwa Bajojo
3. GAHINI : Musaza wa MUTONI
4. MUTESHA : Sekuru wa MUTONI na Gahini
5. GITI : Umwana w'umuyabaga wo mu bwoko bwa Bajojo
6. KIDOGO : Umwana w'umuyabaga w'umugenzi wa Gahini, umu Mujojo
7. NSANZU: Muvyara wa KAMI

### Agace ka mbere: KAMI, MUTONI na GAHINI

Kami na Mutoni bahurira kw'ivomero. Mutoni na Kami baraharira ngo bumvikane uwutangura kuvoma. Baca bagwana. Gahini, musaza wa Mutoni aca ashika yiruka hama agaca ahagarara haruhande akarorera.

***Ubutumwa b'aka gapande : akantu gato umengo ntaco kavuze***

### Agapande ka kabiri : GAHINI na MUTESHA

Ku mugoroba bariko baraganira na sekuru, Gahini aca amubwira ivyabaye kw'ivomero. Sekuru aca abifata nk'agashinyaguro k'ubwoko bwamye bwiyumvira ko busumba ubundi. Aca amurungika kurondera urundi rwaruka rw'abajogo.

Amubwira ko batagwanije ubwo bwoko bubi bazohava basanga bugarijwe n'amabi bazoba batewe n'ubwo bwoko. Aca yagiriza abakiri bato ko ataco banezwe, ko ataco bakora hageze kugwanira ineza y'ubwoko bwabo. Mu makosa abagiriza harimwo kandi imigenderanire n'inkundo usanga zavutse hagati y'amoko « adahuye », nk'imigenderanire yo gufashanya, kumariranira imanza, gusuhuzanya…bitanguye kuvuka hagati y'aba Bajojo n'aba Banyana. Kajojo avuga ko ata wovyihanganira, bategerezwa kugwanya uwo muvumo hama bagakosora iryo turimuka ry'abakiri bato. Mutesha aca arungika umwuzukuru wiwe gukiza urunganwe. Aca amubwira ko ariwe cizere c'ubwoko bwabo. Aca amubwira ko ni yabishikako azoba akosoye ubujuju bw'abakiri bato kandi ko azoca aronka imihezagiro y'aba sokuru n'aho bashavuye. Gahini aca yumva ko akomeye kandi afise ico amaze.

Aca agenda yishimiye kugwanira ubwoko bw'aba Bajojo.

***Ubutumwa bw'aka gapande : guha insiguro ibintu hisunzwe amoko no guhererekanya ibikomere hagati y'urunganwe n'urundi***



[3] Cokinwa hose mu bihugu vy'ibiyaga binini.

**Agapande ka gatatu : GAHINI, GITI na KIDOGO**

Gahini ahura na Giti na Kidogo bariko baranywa agatabi. Umengo ntaco bafise bakora. Aca abasigurira umugambi wiwe, n'ingene sekuru abafiseko icizere, n'ingene ubwoko bwabo bwogira ingorane mu gihe batobufasha. Natibateba kwemera kumufasha. Mbere baca batangura kuririmba. Baca bavuga ko bagiye gutangura akazi, na narirya ata kandi kazi bari bafise. Mugabo baca babazanya ico bazokoresha.

***Ubutumwa bw'aka gapande : ugukwegwa n'ivyo ubwiwe n'abo mungana n'ukwemera utiyumviriye ivyo abakurambere bavuga***

**Agapande ka kane : GAHINI, GITI, KIDOGO na NSANZU**

Gahini, Giti na Kidogo bahura na Nsanzu na Kami bagiye ku butaro. Gahini, Giti na Kidogo baca basotora Kami bavuga amajambo yo kumutuka. Nsanzu aca ashavura, bagaca batangura gutata. Baca batangura kutuana ku vy'amoko bagirizanya ivyo bumvise abakuze bavuga. Baca batangura kugwana, Kami aca abangurukanya.

**<<<  Umu Joker aca ahagarika urukino kuri STOP >>>**

***Ubutumwa bw'aka gapande: inzanko z'iragi zosambura imibano***

**Ces scénarios du théâtre interactif ont été développés par* ***l'Association IZUBA (Troupe UMUSHWARARA)*** *en collaboration avec Impunity Watch. Les scénarios sont basés sur les résultats de recherche menée par Impunity Watch dans le Programme, « Paix Au-Delà des Frontières ». Pour plus d'informations, visitez : www.impunitywatch.org.*